# Ibiro Bijejwe ivy'Indimi
## Inzira Yo Kwitwara Mu Bijanye n'Indimi

Iyi nyandiko ivuga ku ntambuko uwitwara ashobora gufata mu kumenyesha uko sentare y'intango itashoboye kumuronsa umusiguzi canke imuhe ubundi bufasha bw'ururimi mu bijanye n'ibibera muri sentare. Uwitwaye ashobora gushikiriza ibirego bijanye n'ururimi ataronkejwe mu biyago vy'uwitwaye na Sentare y'Ubutungane i Kentucky. Tugusabe utahure neza yuko gutanga ikirego kijanye n'ikibazo c'ururimi bidafatanye n'ihamagarwa ry'urundi rubanza canke ingingo zafashwe. Bimaze gushikirizwa n'uwitwaye, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoca bitanga ubufasha bw'urwo rurimi, harimwo no kuronswa umusiguzi, kugira afashe uwitwaye kwuzuza ico kirego ciwe cose.

**1. Gutanguza Ikirego.** Umuntu ashobora gutanga ikirego biciye muri buno buryo bukurikira:

• Ikirego gishobora kuzuzwa hamwe no gushikirizwa ku ngurukanabumenyi **ifishe y'ibirego ku ngurukanabumenyi**.

• Ikirego gishobora gushikirizwa biciye kuri terefone mu guhamagara kuri 502-573-2350 maze ugasaba ko wovugana nabo mu Biro Bijejwe ivy'Indimi (Office of Language Access). Uwuserukira ivyo Biro Bijejwe ivy'Indimi azoganiriza uwitwaye maze asabe amakuru akenewe kugira atanguze ibijanye n'imburano.

• Ikirego gishobora gushikirizwa mu nyandiko maze bikarungikwa mw'ikete kuri aderese ikurikira:

Administrative Office of the Courts
Attention: Office of Language Access
1001 Vandalay Drive
Frankfort, KY 40601

**2. Kwiyandikisha.** Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizosuzuma ikirego kandi bitororokanye amakuru yose akenewe atanzwe n'uwitwara. Nimba, mu ntango yo kwandikwa, ikirego gifise ivyemeza nyavyo, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoca biha inomero ico kirego mu ntumbero yuko bagikurikirana kandi bakagishikiriza. Nimba naho, ivyo birego biboneka ko ata vyemeza namba mu ntango yo kwandikwa, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizokwihoza ico kirego kandi bazoca bamenyesha uwitwaye ko atabindi asabwe gukora.

**3. Ukumenya Ikirego.** Kiretse igihe ibintu bisaba umwanya muto, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoca vyemera gutora ico kirego kivuye k'uwitwara mu misi 10 y'akazi. Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bishobora kandi gusaba ayandi makuru hamwe/canke inyandiko zivuye k'uwitwara mu gihe vyemewe kugira hatohozwe neza ico kirego. Mu gihe hari ikirego gisaba gukemurwa mu mwanya muto (akarorero, ikirego kijanye no kwumvirizwa imbere yuko imisi 10 y'akazi ihera), Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoca vyihutisha kwemerwa kandi amatohoza azoca akurikira kuri ico kirego mu kigoro ko gukemura ikibazo cumvikana mu mwanya muto ushoboka.

**4. Kumenyesha Sentare y'Intango.** Igihe dushikirijwe amakuru yose yasabwe hamwe/canke amadosiye, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoca bimenyesha sentare y'intango aho ico kibazo coba carabereye ko n'ikirego cakiriwe. Ibindi vyose bikenewe bijanye n'ikirego bizoshirwamwo muri iryo tangazo. Tugusabe wibuke ko ibirego vyose bijanye n'umukozi w'Ibiro Bijejwe ivy'Indimi canke uwuhakora mu gihe gito bizokemurwa hisunzwe amategeko yo guhana abakozi nkuko Ibiro vya Sentare ya Kentucky ibivuga.

**5. Amatohoza y'Ikirego.** Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizotanguza amatohoza ku vyagiriji vyavuzwe mu kirego mu misi 10 ya kazi mu nyuma yaho sentare y'intago imaze kuronka ico kirego. Naho uburyo amatohoza akorwa buzohinduka hisunzwe ibiri mu kirego kimwe-kimwe, hari ibikorwa kanaka nko kubaza (aba)uwarenganijwe, harimwo abacamanza, abakozi hamwe n'abasiguzi, maze hakandikwa inyandiko ivuye mu makuru yose yatanzwe mu gihe hariko habazwa ibibazo.

**6. Inyishu y'Ikirego** Inyuma y'amatohoza, Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizotanga intererano y'inyishu muri iyo sentare mu gukemura ivyagiriji vyatanzwe n'uwitwaye, canke ivyo biro nyene vyerekane ko ivyo birego ata fatiro bifise namba. Sentare izoca isabwa gutanga icegeranyo ku Ibiro Bijejwe ivy'Indimi mu misi 10 y'akazi nterengwa nyuma yo kuronswa iyo ntererano y'inyishu. Mu gihe sentare idashoboye kubikurikiza muri iyo nzira canke kubishira mu ngiro bibereye mu mwanya usabwa bishobora gutuma hatangwa ikirego co kwitwara kuri Komisiyo Itunganya ivy'Ubutungane.

**7. Kumenyesha Uwitwaye.** Ibiro Bijejwe ivy'indimi bizomenyesha uwitwaye mu misi 10 y'akazi inyuma yo kuronka aho ico cegeranyo kigeze mu kwerekana ibikorwa bizoshirwa mu ngiro na sentare y'intago nk'uburyo bwo gukemura ico kirego.

**8. Ahabikwa Amakuru nuko Abantu Boyashikirizwa.** Ibiro Bijejwe ivy'Indimi bizoguma bibitse ibirego n'intambuko zafashwe mu kubitorera inyishu, kandi bizoshirwa ahabona kuri abo bose babisavye.

**9. Birabujijwe Kwihora.** "Ntawushikirizwa canke uwundi muntu azoca intege, azoterwa ubwoba, azosunikwa, canke azokumirwa n'uwundi wese mu ntumbero yo gukuraho uburenganzira canke ibakwe ritangwa na [Itegeko VI], canke kuberako yitwaye, yabaye icabona, yafashije, canke akitabira mu buryo ubwaribwo bwose mu matohoza, mu mburano canke kwumvirizwa muri kino kigabane c'amategeko." 28 C.F.R. § 42.108(e)